AMAHORO Y'IGIHENDABANA MU BANTU BISHWE N'UBWOBA

Imvo n'imvano z'ingorane zerekeye agateka ka zina muntu mu Burundi

L'Initiative pour les droits humains au Burundi Nzero 2020

L'Initiative pour les droits humains au Burundi

AMAHORO Y'IGIHENDABANA MU BANTU BISHWE N'UBWOBA

Imvo n'imvano z'ingorane zerekeye agateka ka zina muntu mu Burundi

Nzero 2020

INCAMAKE[1]

Haheze imyaka irenga ine n'igice kuva Perezida Petero Nkurunziza afashe ingingo yo kwitoza ubugira gatatu, iyo ngingo ikaba yariyamirijwe muri 2015 ikongera igakwega Uburundi mu ngorane za politike n'iz'agateka ka zina muntu. Iyo ngingo n'ivyayikurikiye vyagize inkurikizi mbi cane mu Burundi gushika uno munsi.

Mu ntango z'umwaka wa 2020, naho ubwicanyi bw'agahomerabunwa n'uguhohotera vyoba bitakivugwa cane nko mu myaka itatu canke ine iheze, ikubagura ry'abantu ryo ryarongerekanye kurusha uko vyahora. Umugambwe uri ku butegetsi ariwo CNDD-FDD warifatiye igihugu kurusha uko vyari bimeze, uburengazira bwo gushikiriza ivyiyumviro burahonyangwa.

Uburyo bwo gukubagura bwarahindutse, n'ugutoteza gusigaye gukorerwa mu kinyegero. Abanyagihugu baratekewe n'ubwoba kuko bacungishijwe ijisho kandi uko iminsi ihera ni ko ivyabona bitinya kuvuga ico vyabonye. Umunyagihugu umwe yavuze muri make ati « *Raba hanyuma ucecеke. Naho bakora ivya mpfura mbi, naho bica mwene wanyu, ntihagire ico uvuga.* »

Mu gihugu cose, abanywanyi ba *Congrès national pour la liberté* (CNL), umugambwe mukuru muyizohangana na CNDD-FDD mu matora yimirije muri 2020, ni bo bari kuri hange kurusha abandi muri 2019 bahohoterwa ku mpamvu za politike. Benshi mu bakorerwa ayo mabi si abarongozi bakuru bo ku rwego rw'igihugu, ahubwo ni abanywanyi b'umugambwe CNL canke abawuserukira mu nzego z'intango. Ariko uruhara rw'abategetsi bakuru ntirwama rugaragara. Itunganywa ry'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu mu gihugu cose, canke imvugo n'amajambo avugwa n'abategetsi, vyose vyerekana neza ko hariho umugambi w'igihugu wateguwe kugira batuze umugambwe CNL.

Ikindi giteye ubwoba n'amakenga mu gihugu muri iyi ntango ya 2020, ni itorwa ry'ibiziga vy'abantu mu ntara zitandukanye z'igihugu, kenshi bataramenyekana ab'ari bo. Bimwe mu biziga vyatowe usanga amaboko aboshe, bifise inguma, vyarahimbuwe ibihimba bimwe bimwe vy'umubiri canke bifise ibindi bimenyetso vyerekana ko bitahitanwe n'impanuka z'urupfu rusanzwe. Akarorero, hagati y'igenekerezo rya 23 Myandagaro n'igenekerezo rya 17 Gitugutu 2019, ibiziga 10 batashoboye kumenya, harimwo bibiri bitagira umutwe, vyaratowe mu ruzi Rusizi mu ntara ya Cibitoke ; ibindi bitanu vyoba vyatowe muri urwo ruzi nyene mw'ijoro ryo kw'igenekerezo rya 2 rishira 3 Munyonyo ; ibindi bitatu vyoba vyaratowe kw'igenekerezo rya 14 Kigarama. Ibiziga bishika kw'icenda canke birenga vyaratowe mu gisagara ca Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya 26 Myandagaro 2019. Mu

[1] Uru rwandiko ni incamake y'icegeranyo citwa mu rurimi rw'igifaransa *"Une paix de façade, la peur au quotidien : Les dessous de la crise des droits humains au Burundi"* categuwe na *Initiative pour les droits humains au Burundi.* Uwipfuza gusoma icegeranyo nyezina ashobora kugisanga ku rubuga mu rurimi rw'igifaransa n'icongereza : www.burundihri.org.

ntara ya Bujumbura, muri Kigarama 2019 haratowe ikiziga casutswe n'ikiyaga i Mutimbuzi, ikindi naco catowe mu ruzi mu Kanyosha kw'igenekerezo rya mbere Nzero 2020.

Ivyo biziga bimaze gutorwa, abashinzwe intwaro mu nzego z'intango canke abapolisi baca bihutisha kubihamba, ivyo bigatuma amatohoza adashobora kuba. Kenshi biragoye cane kumenya icahitanye abo bantu canke ababishe canke kumenya nimba ubwo bwicanyi bufise imvo za politike. Umwe mu bahora barongoye umugambwe CNDD-FDD yavuze ati : « *Nta Leta iriho. Ibiziga biratorwa ariko nta nkurikizi.* »

Ntaco Leta itakoze kugira iburabuze itohoza ry'amabi yerekeye ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu n'umutekano mu Burundi, nkuko bigaragara mw'ihagarikwa ry'abanyamakuru bane b'ikinyamakuru Iwacu hamwe n'umushoferi wabo kw'igenekerezo rya 22 Gitugutu 2019 i Musigati mu ntara ya Bubanza aho bari bagiye kwegeranya amakuru yerekeye igitero c'umurwi witwaje ibirwanisho. Umushikirizamanza yabagirije icaha co gufatanya mu guhungabanya umutekano w'igihugu, yongera abasabira igihano co gupfungwa imyaka 15 imbere y'intahe ishashe kw'igenekerezo rya 30 Kigarama.

UKWIYOROBEKA KWA CNDD-FDD

Kw'igenekerezo rya 3 Ruheshi 2019, umugambwe uri ku butegetsi mu Burundi waragirishije inama ihambaye mu nyubakwa nkuru yawo ku rwego rw'igihugu i Bujumbura, ijambo nyamukuru rikaba ryavuzwe na Sylvestre Ndayizeye, umunyamabanga mukuru w'Imbonerakure n'izindi nzego zegamiye umugambwe CNDD-FDD.

Abitavye iyo nama bateze amatwi akamo katewe na Ndayizeye abagabisha. Yabihanije kwerekana amafoto y'ibiziga bakoresheje amatelefone ngendanwa kuko ayo mafoto yerekana ko ubwicanyi bugikorwa mu Burundi, ivyo bikaba birtyoza izina ry'igihugu mu gihe umugambwe uri ku butegetsi ukora uko ushoboye kwose kugira werekane ko igihugu kiri mu mahoro. Ijambo rya Ndayizeye ryari ritomoye: amakungu ategerezwa kwemezwa ko agateka ka zina muntu kubahirijwe mu Burundi.

Ndayizeye yagabishije iryo sinzi ry'abantu abihaniza ko nihagira ifoto y'ikiziga yerekanwa ku mbuga ngurukabumenyi, uwuzoba yayishizeho azoheza aronderwe. Ntiyavuze ico azoba – ntivyari ngombwa ko abivuga. Imbonerakure zirazi ico zikoza uwo zifashe ari mu nzira inyuranye n'iy'umugambwe.

Imbonerakure imwe itari yitavye iyo nama yavuze iti: « *Iyo bakwiketse (ko ukorana n'abatavuga rumwe na Leta) bakujana ku ngoro nkuru y'umugambwe CNDD-FDD, bagaheza bakagukubita, bakaguhohotera, urashobora no kwicwa. Hari umugenzi w'Imbonerakure, ntawuzi irengero ryiwe. Bamukeka ko yoba yarya amatu abiri.* »

Uretse amategeko yatanzwe na Ndayizeye, Imbonerakure ntizari kureka gushamirana n'abatavuga rumwe na Leta. Umwansi mukuru wazo, CNL, akaba amaze amezi menshi akorerwa amabi.

CNL IRABANGAMIWE N'UBUTEGETSI

Naho Leta yahaye umugambwe CNL uburenganzira bwo gukorera mu gihugu muri Ruhuhuma 2019, abanywanyi ba CNL babandanya bahohoterwa kandi baterwa ubwoba kuva kuri iyo taliki. Abanywanyi ba CNL bashika kuri icenda barishwe mu ntara za Bujumbura, Muyinga, Kirundo, Ngozi, Muramvya na Karusi hagati y'indwi zibiri zanyuma z'ukwezi kwa Myandagaro n'ukwezi kwa Kigarama 2019 ; igitigiri c'abishwe bose coba kirenga aho. Ntawushobora kumenya ukuri kuvyerekeye ukuntu abo bantu bishwe, ariko nta nkeka yuko bazize umugambwe bari bahurikiyemwo n'indyane hagati yabo n'abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi.

Amacumi y'abanywanyi b'umugambwe CNL barakubaguwe abandi nabo benshi barahagaritswe kandi barapfungwa binyuranye n'amategeko. Ingoro z'umugambwe CNL zigera kuri 40 zarasambuwe, zaraturiwe, zarahumanijwe canke zarononywe mu bundi buryo hagati y'igenekerezo rya 15 Ruheshi 2019 na Kigarama 2019. Imishamirane ikomeye yarabaye hagati y'abanywanyi ba CNL n'Imbonerakure, ikaba yarakomerekeje benshi mu mpande zompi.

Ibitero ku ngoro z'umugambwe CNL no ku banywanyi bawo bisa n'uko ari umugambi w'igihugu wafashwe na bamwe mu barongoye umugambwe uri ku butegetsi kugira baburabuze umugambwe CNL, bakoreshe iterabwoba, bace intege abanywanyi b'uwo mugambwe, bawubuze kuronka abandi banywanyi kandi babuze abanyagihugu gukunda CNL. Ukuntu abanyagihugu bitaba umugambwe CNL kwatumye umugambwe uri ku butegetsi ubona ko mu minsi iri imbere uzobangamirwa bidasanzwe : Woshobora kugumana gute abanywanyi bawo bawuhaye umugongo kuko batakiwizeye kandi harongerekanye amabi akorwa n'Imbonerakure mu kwambura abantu ivyabo, guhohotera agateka ka zina muntu, no gukoresha igikenye ?

Abarundi benshi biyumvira ko inzira yoroshe yafashwe n'umugambwe uri ku butegetsi kugira ugarukane abanywanyi ba kera kandi winjize abashasha ari gukoresha iterabwoba.

Bamwe mu bajejwe intwaro ku rwego rw'intango n'abarongozi b'umugambwe uri ku butegetsi bakoreshejeje ku mugaragaro itoteza ry'abatavuga rumwe nabo mu vya politike. Akarorero : mu ntara ya Cankuzo, kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga 2019, indongozi yo muri Komine Cendajuru yavuze mu nama y'umutekano yarimwo abajejwe intwaro ku rwego rw'intango hamwe n'abanywanyi b'imigambwe ko abadashigikiye imigambi y'umugambwe uri ku butegetsi bazokwicwa : « *Umunywanyi w'umugambwe uwariwo wose azokwiyamamaza ngaha iwacu hanyuma ntavuge imigambi ifatiye kwihangiro nyamukuru*

ya Leta yacu, akarorero ntavuge ukwiga ku buntu kuva mu mashure y'intango gushika muri kaminuza, tuzomuca umunwa hanyuma tumuce umutwe. »

Mu ntara ya Gitega, uwuserukira umugambwe uri ku butegetsi ku rwego rw'intango yaratoteje abatavuga rumwe mu nama rusangi yabaye muri Gitugutu 2019. Yavuze ati: « *Abarwanya CNDD-FDD tuzobashishura. Tuzobatabagura. Tuzobasatura. Tuzobotsa nakare amatwi y'impene yumva yokeje.* »

Imbonerakure nizo zikoreshwa muri uyo mugambi, ni zo zishira mu ngiro amategeko atangwa n'abajejwe intwaro ku rwego rw'intango canke n'abarongozi bo hejuru b'umugambwe. Muri Nyakanga 2019, mu ntara ya Karusi, umuntu w'umuhumure yakuwe mu nzu yiwe avurutwa n'Imbonerakure, ziramukubita bikomeye n'amahiri gushika aho asandaba. Muri Myandagaro 2019, mu ntara ya Muyinga, Imbonerakure zatemaguje imipanga umutwe w'umuntu w'umugabo ziramugandagura ; uwundi mugabo yatowe ari ikiziga mu ruzi mu Kirundo munyuma yo gutotezwa incuro nyinshi n'amajambo y'iterabwoba n'Imbonerakure. Imbonerakure zaricishe amahiri abagabo babiri mu ntara ya Ngozi hagati ya Gitugutu n'indwi zibiri zambere za Munyonyo 2019. Abo bantu batandatu bagandaguwe bari abanywanyi b'umugambwe CNL.

Naho bamwe muri abo bagirizwa ivyo vyaha barengukijwe imbere y'ubutungane, benshi muri bo baciye bapfungurwa bidatevye abandi nabo ntibigeze bahagarikwa.

Umutego i Muyinga

Kw'igenekerezo rya 18 Myandagaro 2019 mu ntara ya Muyinga, abanywanyi ba CNL baraguye mu gitero kinini categuwe citondewe. Imbonerakure zarateye abanywanyi ba CNL i Rugari, ikigwati kiri hafi y'ibirometero 16 uvuye mu gisagara ca Muyinga aho umugambwe CNL wariko wugurura ingoro yawo.

Abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi bazi uko ico gitero catunganijwe baremeje ko cari categuwe na Shabani Nimubona, umukuru w'Imbonerakure mu ntara ya Muyinga.

Shabani Nimubona ari mu bantu bakomeye kandi bumvirizwa ku rwego rw'intara. Abanywanyi b'umugabwe uri ku butegetsi bemeza ko Shabani yakoresheje amanama y'integuro kugira yigishe Imbonerakure za Muyinga uburyo bwo kwitegurira iyinjira ry'ingoro y'umugambwe wa CNL. Yasavye Imbonerakure gutegura urutonde rw'abanywanyi ba CNL biteguriye kwitaba urwo rubanza. Imbonerakure zasabwe ko nazo nyene zokwitaba urwo urubanza zigaheza zikaraba ko abanywanyi ba CNL bitavye urwo rubanza ari bo bari kuri rwa rutonde.

Umwe mu mbonerakure yari muri ico gitero yemeje ko komiseri w'igipolisi ku rwego rw'intara, Jérome Ntibibogora, yari azi kandi yari yatanze uruhusha rwo gukora ico gitero.

Iyo mbonerakure yavuze iti : « *Komiseri w'igipolisi yatubwiye ngo tubatange gushika, turindirire i Rugari kugira ngo tubakubite. Yatubwiye ngo twitwaze amahiri, imipanga n'amaferabeto (ivyuma).* »

Ico gitero cabereye Kwitongo, hafi y'ibirometero 16 uvuye i Muyinga. Umunywanyi wa CNL yavuze ati: « *Narumvise umuntu ari inyuma yanje avuza induru ngo 'Tera, tera'. Bari bitwaje amahiri n'imbugita. Barakubise umutama n'ubuhiri ku jisho, baramutema ku mutwe n'umupanga. Bamwe muri twebwe twaciye tuja kurondera inkoni zokubivuna.* »
Abanywanyi ba CNL barahinguye amahiri bakoresheje amashami y'ibiti, baraheza barivuna ababateye.

Uyo mutama yatewe, Grégoire Nsavyumwami, wo muri Komine Giteranyi, yahitanwe n'izo nguma aho nyene. Umwe mu babibonye yavuze ko umupanga n'ubuhiri bumwe vyatowe hafi y'ico kiziga. Igipolisi caratwaye ivyo bintu bibiri. Bose hamwe, abantu bashika ku ndwi barakomeretse, harimwo umugore afise imyaka 74.

Kw'igenekerezo rya 8 Gitugutu 2019, mu rubanza rw'igihutihuti rwacitse uyo munsi nyene, Sentare nkuru y'intango y'i Muyinga yaciriye igihano co gupfungwa ubuzima bwazo bwose Imbonerakure zine zakekwa kuba zaragandaguye Grégoire Nsavyumwami kandi bacirwa kuriha bose hamwe amafaranga imiliyoni zine n'ibihumbi amajana atatu y'indishi (4,3 millions FBU). Uru rubanza ruri mu manza nke cane Imbonerakure zakurikiranwe kandi zigacirwa urubanza ku vyo zakoze mu mabi yo guhohotera ubuzima ku mvo za politike.

UKWONGEREKANA KW'INGUVU Z'INTAGONDWA Z'UMUGAMBWE URI KU BUTEGETSI

Ingorane zo muri 2015 zashize ahabona uburyo bwo kugwana bukaze bukoreshwa n'umugambwe CNDD-FDD bukaba bwamutse ku myaka uwo mugambwe wamaze ugwanira mw'ishamba. Abitonda n'abashaka impinduka mu mugambwe bamaze gukumirwa, abakuru b'umugambwe baciye bihatira kurokora umugambwe bikaba bisigura gukura mu nzira inzitizi za politike. Inzira yonyene yashoboka ni ugushigikira wivuye inyuma umugambwe n'abawutwara, ni vyo vyonyene vyari bihambaye. Ba *caratuvunye*, abanywanyi ba CNDD-FDD barwaniye igihugu bakongera bakagicumukurira mu gihe c'intambara yamaze imyaka 16 kandi yari yisunze amacakubiri, bemeje ko aribo basamurarwa ntaharirizwa bu butegetsi.

Mu ntango ya 2020, benshi mu bahora ari abarwanyi bajejwe amabanga akomeye mu mugambwe CNDD-FDD bafashijwe n'abandi batari abasirikare badafise ububasha canke ari ibikoresho. Ingeso zo mw'ishamba umugambwe CNDD-FDD wabanje kugerageza kunyegeza kugirango uronke abawemera, zahavuye zigaragara nkuko vyerekanwa n'urwanko abatwara umugambwe bagirira uwo wese ashaka guhinyuza ivyo bakora. Bamwe

mu bavyihweza, cane cane abahoze ari abarongozi muri CNDD-FDD, bavuga ko kubera umugambwe wageze kure cane mu guhohotera no kurundarundanya amatungo vyakozwe n'abamwe mu barongoye uyo mugambwe, ntugishoboye gusubira inyuma. Ubwoba bwo gukurikiranwa na Sentare mpuzamakungu mpanavyaha bushobora kuba ari iyindi mvo ituma bamwe bagerageza gukora ivyo bashoboye vyose kugira bagumane ubutegetsi.

Naho umugambwe CNDD-FDD utanga inyigisho zitavanako ukongera ukirahira abawurwanya, abanywanyi bawo ntibafatanye urunani namba. Imyidogo yarongerekanye mu banywanyi bawo n'abakozi ba Leta. Mu ntango za 2020, benshi muri bo ntibanezerewe n'intumbero wahaye igihugu. Umwe yahoze ari mu barwanyi ba CNDD-FDD akaba ubu yarahunze yavuze ati : « *Iyo mvuganye n'abantu bari i Bujumbura, bavuga ko bari mw'ibohero, iryo bohero akaba ari Bujumbura.* »

Imbonerakure zimwe zimwe ziratanguye guhinyura intwaro ariko ntizishobora gushira ahabona ico ziyumvira. Abarongoye umugambwe CNDD-FDD bobaraba nk'ibihemu kandi cane cane botinya ko Imbonerakure zitanezerewe zoshobora guhinduka zikabarega kuko benshi muri zo barakoze ivyaha bikomeye canke barabibonye bikorwa. Umunyepolitike umwe atavuga rumwe na Leta yavuze ati : « *Iyo Imbonerakure ibivuyemwo, ishobora kwicwa kuko ikekwa ko yovuga amabanga. Bamwe ntibaguma muri uwo muhari kuko bemera ibiriko birakorwa, ahubwo ni kubera batinya kwicwa.* »

Imbonerakure imwe yavuze iti : « *Iyo baduhaye igikorwa co kurangura, umwe muri twebwe akamena ibanga akakivuga canke akanka kugikora, baca batangura kumuhiga kandi bamuhiga gusumba uwutavuga rumwe na Leta.* »

Perezida Nkurunziza yarerekanye ubuhinga bwinshi mu mikino ya politike akina mu bantu bamwe bakomeye bahora bacuditse hamwe na we kera : mu kubamanura ibiti umw'umwe canke mu kubakumira, mu nyuma agasubira kubiyegereza, mu mperuka agasubira kubigizayo. Mu kugumiza abantu bamukikije ata cicaro gikomeye bafise akongera akagabanya ububasha bwabo, yahavuye ashobora kubuza ko ata muntu n'umwe akonganya ububasha bwinshi.

Umwe mu ntwazangabo zo hejuru mu gisirikare (jenerali) yagize uruhara runini mu vyaha vy'agahomerabunwa vyakozwe kuva ingorane za politike zitangura, Gervais Ndirakobuca batazira Ndakugarika, yari yamanuwe igiti aba umuyobozi mwishikira mu biro vy'umukuru w'igihugu ajejwe ibibazo vy'igipolisi, none muri Munyonyo 2019 yagenwe kuba umukuru w'urwego rwo hejuru rw'iperereza (SNR). Hari uwahoze ari muri Leta yavuze ati : « *Ndakugarika n'uwo gutera ubwoba mu bihe vyegereye amatora.* »

Amayeri ya Nkurunziza mu gutanga no kwaka ibiti vyateye ukwikeka mu mugambwe. Hari uwavuze ati : « *Hari ubwoba bwinshi cane mu mugambwe CNDD-FDD. Ntawumenya aho*

uwundi ahagaze kandi umwe wese aguma asuma urusaku mu bandi… Hari icuka kibi mu mugambwe. »

Mu bihe vyegereye amatora yo muri Rusama 2020, kugwanira ubutegetsi bisigaye ari ikibazo gikomeye kiri hagati y'umuntu n'uwundi. Hari uwahoze ari umutegetsi muri Leta yavuze ati : « *Intwazagabo zo hejuru zasheshe amaraso zishaka ko Nkurunziza ahava, ariko zishaka ko intwaro ibandanya kandi zishaka kumusubirira.* »

AMAJAMBO AKAZE CANE Y'UMUGAMBWE URI KU BUTEGETSI

Mu mpera za 2019, abakuru benshi bo muri Leta no mu mugambwe barigishije icese ukwihanganira mu vya politike bongera basaba abanywanyi babo kwirinda gutera abakeba. Ayo majambo yaratandukanye bimwe binejereje n'amajambo yo kwiyamana yo mu minsi iheze. Ariko ayo majambo yamaze ikintu gito kuko abo bategetsi baza baratanga ubutumwa bunyuranye kandi yahavuye asamburwa n'abandi bategetsi.

Akarorero, mw'ijambo yavuze ku genekerezo rya 29 Nyakanga 2019, mu ntara ya Cibitoke, Sylvestre Ndayizeye yabwiye abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi kureka guhungabanya umutekano w'aba CNL.

« *Urwaruka... hagarara neza. Ntihagire uwo tuzosubira kwumva yakoze ikosa ngo yakubise umu CNL canke ngo yakubise uwundi... Nimwe ba Segaba biri shamba, muri intare, muri intwari. Intare rero ntirya akayabu, intare ntirya imbeba, Murabakingira kugira babeho... Mutabakingiye aba mwinjije ntimuzosubira kuronka abo mwinjiza.* »

Imvugo ya Ndayizeye yakeburira Imbonerakure ko naho ari ngombwa ko zibanza kwiyumvira imbere yo gutera abanywanyi ba CNL, hariho ibihe zitarinda kwijijanya imitima. « *Ariko rero mwame muvyuye umugara kuko igihugu kiragwanirwa ntimuze mwemere yuko basesankuyoze babaduga kubitugu. Ntimuzoja kuvuga ngo siho mwari muri... Muravyura umugara hanyuma mubakange kwakundi kw'intare.* »

Abahagarariye umugambwe uri ku butegetsi ku nzego z'intango barahohoteye abatavuga ruwe nabo mu makoraniro. Akarorero, kw'igenekerezo rya 14 Munyonyo 2019, Umukuru w'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara i Muyinga yavuze mu gikorane co mu ndwi y'umurwanyi ko : « *Barayamaze bati uwushaka urupfu asoma ingwe, natwe tuti uwushaka urupfu aja kubiri n'intumbero za Cndd-Fdd i Muyinga, muzoba muduhinyuza.* »

Indirimbo z'Imbonerakure zavyinywe muri Munyonyo 2019 i Nyeshenza, muri Komine Mugina, mu ntara ya Cibitoke, zarimwo amajambo mabi y'amacakubiri atuka abatutsi : « *Ubugirigiri bugira babiri, ubwo bututsi, ubwo bukotanyi, ubwo bunyenzi, tuzobunyukura, tubukatagure, nk'uwukata inyama, ntakudufyina ko.* »

IMBONERAKURE N'ABAKURU BAZO

Imbonerakure yavuze ko mu ntara ibamwo ubutegetsi bwubatse neza ku buryo bigisha abashinzwe intwaro ku rwego rw'intango uko bokwifata bari kumwe nabo batavuga rumwe. Yatanze akarorero kuko bokwifata mu bisanzwe iyo bari kumwe n'umunywanyi w'umugambwe utavuga rumwe basangiye intara.

> « Iyo hari umuntu dushaka kwikura bidusaba ibintu bibiri : kumuhagarika no kumurungika (kure kugira bamufatireyo canke bamwicireyo). Iyo umuntu afashwe… ivyo arerwa biva ku musozi avukako (uwutavuga rumwe nabo), bikarungikwa ku Komine. Umukuru w'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rwa Komine agaheza akabirungika ku rwego rw'intara, aho naho umukuru w'umugambwe ku rwego rw'intara abirungikira umukuru ajejwe umutekano w'umugambwe uri ku butegetsi. Hanyuma, itegeko riva ku rwego rw'igihugu rw'umugambwe rikaja ku mukuru w'iperereza (SNR) ku rwego rw'intara, uyo nawe akamenyesha uwutwara iperereza ku rwego rwa Komine. Itegeko ryo kwica canke ryo gukiza (uwutavuga rumwe) riva hejuru. »

Abategetsi b'inzego z'intango bakorana n'Imbonerakure kandi barazikingira kugira ntizikurikiranwe n'ubutungane.

Imbonerakure yasiguye ko zishobora gukora ivyaha bikomeye ariko ntihagire inkurikizi kuko bazikingirwa ikibaba. Vyongeye, abakorewe amabi ntibashoka bamenyesha abategetsi kuko babatinya canke batabizeye.

> « Iyo ari umugore, dushobora kumusanga mu mirima, tukamukorera ivya mfurambi. Naho akoma induru, ntangorane bidutera kuko turakingirwa ikibaba. Tubikora ku mugaragaro kuko ntazokwitara ku mukuru w'umutumba canke kwa musitanteri…
>
> Iyo bishitse igikorwa watumwe kikakunanira, hanyuma ugapfungwa mu gasho, ntushobora gupfungirwa ahandi atari kuri zone kuko baca bagupfungura. Kenshi abatanga ayo mategeko (yo gupfungurwa) ni umukuru w'umutumba canke umukuru wa zone. Na buramatari arashobora kubijamwo. »

KUNYEGEZA IBIZIGA IMBONA NKUBONE I MUYINGA

Abanywanyi bu mugambwe uri ku butegetsi, harimwo Imbonerakure, bemeje ko kuva muri 2018, abanywanyi buwo mugambwe banyuruje abantu bakekwa ko batavuga rumwe, babishe kandi babahamba mu matongo y'abapfuye i Muyinga kure yaho uwo muntu yaba canke yaho bamunyururije. Bamwe mu banywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi bemeza ko uyo mugambi ugamije guhisha ubwo bwicanyi amashirahamwe ajejwe gucungera agateka ka zina muntu no kwemeza amakungu ko igihugu gitekanye imbere y'amatora.

Abanywanyi canke abahoze ari abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi, hamwe n'Imbonerakure, bemeje ko umugambwe uri ku butegetsi wahinduye ishira mu ngiro ry'ico gikorwa. Imbonerakure ikorera ku rwego rw'intango yemeje ko :

> « Kugira abantu ntibamenye aho tubajana, turabica tukabata mu zindi ntara… Akenshi tubanyuruza mw'ijoro… Imbere, twahora tubikora ku murango, twarabakubita, bamwe barapfuye. Ubu twarahinduye uko tubikora. Turabanyuruza hanyuma tukabica canke turabahamagara bakitaba ku ngoro nkuru ya CNDD-FDD tukamera nk'ababapfunze. Iyo hagize uwuza kubatora, tuvuga ko bapfungiwe mw'ibohero ryo mu Rumonge (kure yaho babanyuruje canke babiciye) ariko baba baramaze kwimba aho babahamba. Umugambwe CNDD-FDD wavuze ko ico gikorwa kizobandanya gushika ku matora. »

Biragoye kumenya uko ubwo bwicanyi bungana, uwubutegeka, abishwe abaribo n'ibibanza babahamvye mwo. Bamwe mu banywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi batanze amakuru biyamirije ubwo bwicanyi bemeje ko hari ikibanza kiri hafi y'igisagara co mu Gatumba, hafi y'umupaka wa Republika ya demokrasiya ya Kongo, kure y'i Muyinga. Ibibanza bigera kuri bibiri biri mu ntara ya Muyinga. Muri ivyo, kimwe kiri muri zone ya Cumba, ku musozi wa Nyamirambo, ku birometero 7 uvuye mu gisagara ca Muyinga, akaba ari ku birometero 2 uvuye ku nzu ya Shabani Nimubona. Ikindi kibanza kiri i Bwica, ku musozi bibangikanye.

Muri Nyakanga 2019, abantu batatu bazima baboshwe amaboko n'amaguru bajanywe i Nyamirambo mu kamiyoneti. Baribapfuswe mu maso n'igitambara c'irabura. Imbonerakure zabahenuriye mu binogo vyari bisanzwe vyimbwe, ziraheza zirabarasa.

Kw'igenekerezo rya 18 Myandagaro 2019, mw'ijoro ryabayemwo umutego w'i Rugari mu ntara ya Muyinga, ikamiyoneti ya Hilux yera yajanye ibiziga bitatu bitamenyekanye mw'itongo ry'abapfuye ry'i Nyamirambo. Ivyo biziga vyari bifise inguma nini ku mutwe, amaboko yari aboheye mu mugongo. Ibindi biziga bibiri vyajanwe mu tongo ry'abapfuye ry'i Bwica. Ntawuzi ingene abo bantu bishwe.

Muri Myandagaro 2018, ibiziga indwi bitamenyekanye vyajanywe i Nyamirambo babikuye mu ntara ya Karusi babihamba mu tongo ry'abapfuye. Abapolisi bambaye umwambaro wo kwiyorobeka « *tashe tashe* » batwaye ibiziga hejuru mu kamiyoneti babipfutse ihema. Bimwe muri ivyo biziga vyahambwe mu binogo vyari bisanzwe vyimbwe. Abishwe bari abagabo bafise hagati y'imyaka 30 na 45, amaboko yari aboheye mu mugongo. Bamwe bari bafise ibimenyetso vy'imigozi mw'isozi.

IBIHANGANGE MU MABOHERO

Ububasha Imbonerakure zifise mw'ibohero rya Mpimba buratangaje cane. Imbonerakure ntizishinga amategeko gusa, zirongera zigahohotera, zigahana atacamira abapfunzwe bakekwa ko batavuga rumwe n'umugambwe CNDD-FDD.
Imbonerakure zijejwe gutanga amategeko canke gukora ivyaha mw'ibohero rya Mpimba nazo nyene zirapfunzwe. Abakuru bazo barazwi neza. Gushika hagati y'umwaka wa 2019, Julien Manirakiza batazira Dume niwe yari umukuru w'Imbonerakure mw'ibohero rya Mpimba. Inyuma yaho apfunguriwe, yasubirijwe na Prosper Minani yahoze ari umupolisi. Benshi mu babibonye bavuga ko Minani ari mubahohoteye canke bategetse iterabwoba n'isinzikazwa ry'ubuzima bw'abapfungwa.

Bamwe, nka Minani, ni abakuru batanga amategeko ku zindi mbonerakure yo guhohotera abapfungwa abandi nabo bashira mu ngiro amategeko. Benshi mu bapfungwa bavuga ko Abdul Mugisha, Henry Niyongabo na Christophe Ndayizeye bari mu bategetsi bakomeye mu rwego rw'Imbonerakure mw'ibohero rya Mpimba.

Michel Nurweze batazira Rwembe ni uyundi apfunzwe afise uburenganzira bwihariye mw'ibohero rya Mpimba. Rwembe yahoze ari icegera ca komiseri w'igipolisi ku rwego rw'intara i Gitega, avugwa mu vyaha vyo gusinzikariza ubuzima no kwica mu myaka iheze. Yafashwe muri Nzero 2016, acirwa igihano co gupfungwa imyaka 15 kukuba yagerageje gukora icaha c'ubwicanyi inyuma yo kurasa uyundi mu polisi no kumukomeretsa.

Uwahoze apfunzwe yasiguye ati : « *Rwembe yari akomeye cane. We na Prosper (Minani) baraha amategeko Imbonerakure ziri mw'ibohero ni ziri hanze. Rwembe yarafise telefone nyinshi, yavugana ku telefone n'abakozi bo mw'ipererezа bari hanze y'ibohero. Yakora ivyo yishakiye*. »

Muri Gitugutu 2019, umupfungwa yarakubiswe arashaya kugezaho yavuwe kw'ivuriro ryo mw'ibohero. Imbonerakure zipfunzwe zaramukubise n'icuma, zamwagiriza kuba yaratutse umukuru w'igihugu no kuba avugana n'abantu bari hanze.

Uwahoze apfunzwe yamaze iminsi itatu muri 2017 « kw'isoko », ikibanza kidafutse kiri hagati y'ibohero, yavuze ivyamushikiye ati : « *Baracapa umuzingi hasi kw'ivu, bakabashira muri uyo muzingi, mugahagarara ku zuba, mukahaguma muhagaze umunsi wose n'ijoro ryose. Baransutse ko amazi, barankubita.* » Bavuze ko : « *Ibintu vyahindutse. Umuntu wese yiyumvira ko Nkurunziza azoheba ubutegetsi ntashobora gutera umutaru.* »

Imbonerakure zirafise ubusho bwinshi bwo guhaniramwo bita « ivyumba vy'ikosorero » buri hagati mw'ibohero rya Mpimba, nibwo bapfungira mwo abapfungwa, cane cane abakekwa ko batavuga rumwe na CNDD-FDD, zibacungisha ijisho aho baja hose no muvyo bakorana vyose n'abandi bapfungwa. Akarorero kababaje gusumba ubundi bwose, ni ka

Nathal Ndayongeje, yahoze ari umuvugizi w'umugambwe utavuga rumwe na Leta, *Mouvement pour la solidarité et la démocratie* (MSD), amaze imyaka irenga ibiri apfungiwe aho atabonana n'abandi.

UBUTUNGANE BWARATAYE UBWIGENGE

Igihe umugambwe CNDD-FDD wariko uratsimbatara mu gihugu, ubutungane bwaciye buja mu kwaha kuyo mugambwe n'ukwabari ku butegetsi.

Umwe mu bakozi ba paraki yatanze ivyiyumviro kukungene urwego rw'ubutungane rwifashe muri 2019 ati : « *Naho ubwigenge bw'inzego bwateganyijwe, mu vyukuri ntabwigenge buhari. Abacamanza bose bagenzurwa na Leta… Ubwigenge buri mu nyandiko gusa.* »

Bamwe mu bakozi bo mu nzego z'ubutungane batanze amakuru bavuze ko kenshi abakozi ba Leta canke abaserukira umugambwe uri ku butegetsi bategeka ifatwa rinyuranye n'amategeko ata mutahe wo gupfungwa, ata vyemezo vyerekana ko uwo muntu yakoze icaha ; bategeka abashikirizamanza gukurikirana abantu bamwe canke gupfungura abandi kandi bakaremera umucamanza mu ntumbero yo kuruca uko bashaka.

Izo nzitizi zabonetse cane mu manza z'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na CNDD-FDD canke ifatwa nk'abansi bawo. Bamwe mu batanze amakuru bakora mu nzego z'ubutungane bavuze ko abategetsi bamwe b'umugambwe uri ku butegetsi bashinga imanza zidasanzwe abacamanza canke abakuru b'amasentare bizeye kugira ntibasange zifiswe n'abajejwe ubutungane batabagamburukira canke batiyumvamwo umugambwe CNDD-FDD.

Bamwe mu bashikirizamanza baremerewe n'umugambwe uri ku butegetsi baheraho bafata ingingo, cane cane mu manza zidasanzwe za politique, bazi neza ko zitakurikije amategeko. Umushikirizamanza yemeye mu mwiherero ko yatanze muri 2019 itegeko ryo guhagarika rinyuranye n'amategeko. Yasiguye ko yararuhishijwe n'amatelefone y'abajenerali (intwazangabo mu gisirikare canke gipolisi) n'abajejwe intwaro bamuhamagara bamuhatira guhagarika uyo muntu akaba yafashe ingingo yo kumupfunga kuko yatinye ko « *ivyo bihangange* » vyohohotera uyo mupfungwa.

Umwe mu bashingwamanza yavuze ati : « *Abantu bafise ubwoba, baraheza bagakora ivyo batokoze. Twebwe abashingwamanza ntitukimenya ico twokora. Abacamanza ntabwigenge bagifise… Igikuru si umucamanza, ahubwo ni abategetsi (bo ku rwego rwa politike). Abacamanza basigaye bitirwa iryo zina gusa. Ingingo zifatwa bakoresheje abacamanza mugabo sibo baca imanza. Abategetsi ni bo babategeka ivyo bagira. Abacamanza ntibubahuka kuvyanka.* »

Abapfungwa « barekuwe » mugabo bakiri mw'ibohero

Ukwivanga kw'abategetsi bari muri politike kugaragara cane mu kugene bafata abanyororo bahejeje igihano cabo, bambitswe izera canke bakwije ivya ngombwa kugira barekurwe, akarorero, iyo bahejeje igice gitoyi c'igihano baciriwe. Abapfungwa benshi bararengeje kuva kera italiki yo kurekurwa, rimwe rimwe ikaba ari imyaka myinshi.

Umushingwamanza yabwiye umugenzi wiwe mw'ibanga ko mu ntango za 2019, we nabo bikorana bahawe amategeko yo kudapfungura umuntu n'umwe yagirijwe guhungabanya umutekano w'igihugu naho yoba atari umuntu yagomba gukurikiranwa canke naho hoba ata vyagiriji biriho. Ingingo ntabanduka yerekeye kurekura umuntu apfungiwe imvo za politike ifatwa kenshi n'urwego rujejwe iperereza naho Sentare zoba zaraciye urubanza canke abashikirizamanza bafashe ingingo, ivyo bikaba vyaka ububasha ubutungane bwarinda kuba bufise.

Umwe muba polisi yatanze amakuru yasiguye mw'ibanga ko inyamiramabi zo mu rwego rw'iperereza (SNR) zihweza idosiye imwe imwe y'abawupfunzwe ku mvo za politike, nizabejwe canke abahejeje igipfungo cabo imbere yo kubapfungura. Naho urugero rwo gukwiragiza uyo mugambi rutaramenyekana, abashingwamanza babiri bemeje ko batanze itegeko ryo kurekura abapfungwa, inyamiramabi yo mw'iperereza igatanga irindi tekego k'umuyobozi w'ibohero canke umushikirizamanza ryo kubagumiza mw'ibohero.

UBUTUNZI BURIKO BURASUBIRA INYUMA CANE

Ingorane z'ubutunzi zashize imiryango mu bukene ntangere. Umukenyezi afise imyaka 38 n'abana bane w'i Bujumbura yahoze atunze uburiro mu gisagara. Ubwo buriro bwasambuwe n'abategetsi muri 2015, bavuga ko hagendera abiyamirije ikiringo ca gatatu ca Perezida Nkurunziza. Uyo mupfasoni yavuze ababaye ati: *« Kudandaza bisigaye bigoye cane inyuma yivyabaye muri 2015... Hari ingingo zitwa ko ari z'umutekano zafashwe kubandi bantu ku mvo za politike ariko zikaba zifise ingaruka mbi kuri twebwe abantu bato. Twebwe nti turi abanyepolitike. »*

Uruhombo rwarakubise hasi uyu mukenyezi. Vyongeye, umugabo wiwe yaravuye mu kazi. Abana babiri ntibakiciga kuko ataragishoboye kuriha amafaranga y'ishule. Umuryango warimukiye mu nzu izimbutse irihwa amafaranga ibihumbi mirongo umunani (80 000 FBU) ku kwezi. Uretse amafaranga yo kuriha inzu, ayo kuriha amashule, kwiyunguruza, amazi n'amatara agera ku mafaranga ibihumbi amajana abiri na mirong'itatu (230 000 FBU) ku kwezi. Ukubaho kuramugora cane. Naho adandaza imboga n'amakara mu butike. Ashobora kuronka amafaranga ibihumbi bine (4 000 FBU) ku munsi, ayo akaba ari make cane, uravye ivyo akeneye. Yavuze ati « *Aho mperukiye kurwara, ntaburyo nari mfise bwo kwivuza. Nafashe indimu n'ibitunguru hanyuma ibisigaye ndabihereza Imana* ».

Guterera ku nguvu umugambwe uri ku butegetsi

Abategetsi b'inzego z'intango barimirije abadandanza n'abakozi babo kuriha amakori n'intererano z'umurengera kandi zidateganijwe bigenewe umugambwe uri ku butegetsi. Abadandaji benshi barugaye amashirahamwe yabo canke barayimuriye ahandi. Ukwambura abantu ivyabo bikorwa canke bishishikarizwa n'abategetsi bakuru b'umugambwe uri kubutegetsi. Umwe mu bakenyezi aba mu buraruko bw'Uburundi yavuze ati: « *Abanywanyi b'umugambwe (uri kubutegetsi) bararira cane kuko babasaba amafaranga menshi.* »

Abarundi baragize icizere, nyuma yaho kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi 2019, Perezida Nkurunziza yatangaza ko « intererano z'amatora ya 2020 zatangwa n'abakozi ba Leta n'abandi ku bushake bw'umuntu zihagaritswe kiretse abazitanga kubushake bwabo kuko umugambwe uri kubutegetsi wegeranije igice kinini c'amafaranga akenewe yo gutegura amatora ».

Ariko si uko vyagenze. Guterera ku nguvu kwarabandanije kubijanye n'amatora n'iyindi migambi myinshi ya CNDD-FDD.

Muri Ruheshi 2019, hari hasigaye ukwezi kumwe imbere yuko ihiganwa ry'umupira w'amaguru ry'ibihugu vya Afrika, buramatari w'intara ya Makamba, Gad Niyukuri afatanije n'abandi bategetsi bo mu ntara, basavye abajejwe amashirahamwe, ibiro vya Leta n'abadandaza bato bato bo mu ntara yose ya Makamba kugura « urwandiko rwo gushimirwa » rwemeza ko batanze intererano y'amafaranga 5000 yahawe umurwi w'umupira w'amaguru userukira igihu c'Uburundi wari washoboye gutsinda no kwinjira muri iryo higanwa. Mu ntango, izo nyandiko zahabwa abo bose batanze ayo mafaranga yo gushigikira ku bushake bwabo uyo mu rwi. Niyukuri yabibonyemwo uburyo bwo kwegeranya amafaranga. Yaragendeye amashirahamwe abasaba kugura urwo rwandiko ku nguvu kandi aho nyene.

Umuntu umwe yavuze ko buramatari yaje mu biro vyiwe amubwira agure urwandiko « *Buramatari yavuze ati : 'Ni waba udashaka kubikora, jewe ndagiye, hanyuma uzokwibonera (ibizokurikira).' Kwari ukuriha ku nguvu kuko yari kuva ngaho (ibiro) ajanye amafaranga. Ntiwashobora kuvuga ko atamafaranga ufise.* »

Abakozi bo mu nzego zijejwe indero n'amagara y'abantu, nabo nyene barahatiwe kuriha intererano z'imigambi y'umugamwe CNDD-FDD, nko kwubaka inyubakwa y'ibiro vy'inzego z'intwaro ku rwego rw'intara i Makamba.

Uburundi bugeze mu mayira abiri mugihe busigaje amezi make kugira buje mu matora ya 2020. *L'Initiative pour les droits humains au Burundi* isaba Leta y'Uburundi n'umugambwe

uri ku butegetsi hamwe na CNL guhagarika ibikorwa vyose bigwiza ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no guhagarika imishamirano ivuye ku mvo za politike muri ibi bihe vyegereye amatora. Abategetsi mu makungu n'ayandi mashirahamwe yo kw'isi yose baboneyeho akanya ko kwifatanya na Leta y'Uburundi kugira ngo agateka ka zina muntu mu Burundi ntikabandanye gasubirinyuma.

© 2020 L'Initiative pour les droits humains au Burundi

Isanamu yo ku rupapuro rw'inyuma : Perezida Petero Nkurunziza, 2017 © 2020 Privé